Australian
Human Rights
Commission
*everyone, everywhere, everyday*

**KIRUNDI**

# *Abanya Australia bavuye muri Afrika: Icegeranyo ku bijanye n'agateka ka zina muntu hamwe n'ingorane zijanye n'imibano -* Icegeranyo c'Urutonde rw'Ibiharirirwako

## Turashaka kumenya ico muvyiyumvirako

Turashak kumva inkuru zijanye no gutura busha uva mu buhungiro hamwe ni iz' agateka ka zina muntu z'Abanyafrika bafise akaranga ka Australia muri Australia yose.

Turashaka kumva ivyiyumviro vyanyu ku vyerekeye ibintu vyohinduka kugira kuronka ubuhungiro muri Australia bibe ivyoroshye.

Tuzokoresha intererano y'ivyiyumviro vyanyu mu gukora icegeranyo ca nyuma. Twizigiyeko ico cegeranyo ca nyuma kizogira ico gikoze haba ku bantu canke imiryango ifata ingingo, kizofasha mu gutanga ivyokorwa kandi kizafasha mu guhindura uko abandi banya Australia babona imiryango y'Abanyafrika babana.

## Ni igiki uru rukaratasi rw'ibiharirwako ruzofasha?

Rutanga amakuru kandi rusaba Abanyafrika bafise akaranga k'abanya Australia (n'uwundi wese yoba avyifuza) kutubwira inkuru zabo, ingorane n'ibindi bibazo binyuranye.

## Ni ibiki wovuga?

Ivyagushikiye hamwe n'imbano yawe birashobora kudufasha gushira hamwe ivyerekeye agateka ka zina muntu hamwe n'ingorane zijanye n'imibano ku miryango y'Abanyafrika bafise akaranga k'abanya Australia.

Mu buryo bwihariye, turashaka kumenya ivyagushikiye muri Australia kuverekeye akazi n'ukumenyerezwa ku vy'akazi; amashule; amagara hamwe no kubaho neza, uburaro; hamwe n'ubutungane n'ibisata bijejwe gushira mu ngiro amategeko. Urashobora kandi kutubwira ikindi kintu cose canke iyindi ngorane ikuraba waba warahuye nayo.

## N'ubuhe buryo wakoresha mu kutubwira inkuru zawe?

- Woza ku manama no mu mirwi tuzashiraho muri Australia yose (bamwe bazaronka abahinduzi b'ururimi kugira bagire ico batereye)
- Urashobora kuturungikira ivyo wanditse (Raba uko wobigenza mu nsi yo ngaha)

## Ni gute wobona aho ayo manama azokorerwa?

- Amashirahamwe y'imiryango y'Abanyafrika azobafasha mu gushikirizwa amakuru abiraba
- Urutonde ruzoba ruri kuri website ikurikira: www.humanrights.gov.au/africanaus guhera kw'igenekerezo rya 16 Ruhuhuma 2009 (mu Congereza)

## Ninde adufasha?

**Uyu mugambi uyobowe na Kominoti kandi ufashwe mu mugongo na** Steering Committee hamwe na Community Reference Group yo mu gihugu. Komite ya Steering Committee ifise abantu babiri bayiserukira: Samia Baho, akaba ari Umurongozi Mukuru w'Ikigo ca Centre for African - Australian Women's Issues (Ikigo c'Ibibazo vy'Abakenyezi b'Abanyafrika naba Australia) hamwe na Abeselom Nega, akaba ari Immediate Past Chair of the Federation of African Communities Council (Icegera Gikurikira Umukuru wa Federation y'Inama y'Imiryango y'Abanyafrika) hamwe na Eugenia Tsoulis, akaba ari Umuyobozi Mukuru wa Migrant Resource Center ya Australia y'amajyepfo.

Abahinga bazotunganya no gukurikirana ico gikorwa bazoshirwaho n'umuryango witwa Myriad Consultants.

**Abandi bazofasha harimwo**: Igisata Adult Multicultural Education Services (AMES) kiri muri Victoria; Umuryango w'Umusaraba Utukura wa Australia; Ikigo ca Diversity Health Institute; hamwe n'ikigo ca guverinoma arico Australian Government Department of Families, Housing, Community Services and Indigenous Affairs (FaHCSIA) bivuze (Igisata ca Leta Gishinzwe Imiryango, Uburaro, Ibikorwa vya Kominote n'Umuryango Ujejwe Igisata ca Bakavukire).

## Ni gute worungika inkuru wanditse?

Mu gihe iyo nkuru urungika iri mu congereza, vyoba vyiza uciye uyiturungikira kuri email yacu: africanaus@humanrights.gov.au

Mu gihe udashobora kuyiturungikira ukoresheje email yacu, canke naho iyo nkuru yawe yaba yanditse mu rurimi rwawe, uzorungike aha hakurikira:

*African Australians project* submission
Race Discrimination Unit: Education and Partnerships Section
Australian Human Rights Commission
GPO Box 5218
Sydney NSW 2001

Canke naho urungika fax kuri: (02) 9284 9849.

## UMUNSI NTARENGWA WO KURUNGIKA IVYANDITSWE NI: 30 Ruheshi 2009

## Inkuru ifatwa nk'ibanga

Ivyanditswe vyose bikarungikwa bizofatwa nk'inkuru zugururiwe abantu bose, keretse mu gihe wotubarira ko ushaka ko ivyo wanditse bifatwa nk'ibanga ryawe atawundi abifitiye uburenganzira bwo kubiraba. Turagusavye, utubarire ko inkuru yawe ari ibanga ryo kubikwa neza.

## Ni gute woronka inkuru nyinshi kandi zitomoye?

- Niba icongereza atarirwo rurimi rwa kavukire, baza abandi mu muryango bagufashe canke baza imirwi yaho utuye aho abakozi bayo bashobora kugufasha
- Ugurura kuri www.humanrights.gov.au/africanaus
- Twandikire ibibazo vyawe ukoresheje email yacu africanaus@humanrights.gov.au
- Urashobora kuduhamagara witeguye gutanga ikibazo cawe kuri (02) 9284 9600 canke 1800 620 241 (TTY)

## Woba uriko uracinyizwa bivuye kurukoba canke aho uva canke n'ibindi?

Raba inkuru zitomoye kuvyerekeye agateka ka zina muntu ki bijanye n'amategeko araba agacinyizo:

- Ugurura kuri www.humanrights.gov.au/complaints_information/index.html
- Ugurura kuri www.humanrights.gov.au/about/languages/index.html (Mu gihe hoba hatariho urukaratasi rwanditse mu rurimi rwawe, turashobora kurondera umuhinduzi w'ururimi kugira asigure neza ikirego cawe, turagusavye ngo uduhamagare)
- Hamagara kugira uronke **igisata ca gusa c'ubuhinduzi bw'ururimi mu rundi** kuri 131 450, vuga ururimi rwawe uvuga, hanyuma saba ku Gisata ca Australia Kijejwe Agateka ka Zina Muntu (Australian Human Rights Commission) kuri 1300 656 419
- Hamagara ku murongo wakira inkuru z'ibirego vy'agacinyizo kuri 1300 656 419